# ITANGAZO MFATAKIBANZA

**Amatora arangwa n'amahoro, yitabwe n'abanyagihugu isinzi, niyo yagaragaje intambwe abarundi bateyeko hamwe n'igikorwa kidasanzwe c'Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, mw'iringanizwa ry'ayo matora naho biboneka ko amategeko akeneye gukosorwa mu matora azokwirikira.**

**Bujumbura, kuwa 27 Rusama 2010**

*Ku butumire bwa Reta y'Uburundi, Umurwi w'Ishirahamwe ry'abanyaburaya ujejwe gukurikirana amatora warashitse mu Burundi kuva kw'itariki 25 Ndamukiza uyu mwaka(2010). Uyo murwi urongowe n'umupfasoni Renate Weber, akaba asanzwe ari mu Nama Nshingamateka ya Buraya. Abarorerezi bangana na mirongo ine n'umwe ba Buraya, mu Buswisi, Norvège, na Canada barakwiragijwe muntara cumi n'indwi zigize Uburundi kugira ngo bakurikirane neza amatora y'abajenama b'amakomine uko atunganijwe hakurikijwe amategeko mpuzamakungu hamwe n'ay'Uburundi. Mukiringo c'amatora y'umukuru w'igihugu n'ayabashingamateka, izo ntumwa zizokwongerezwa izindi mirongo ine na zine.*

*Izo ntumwa zitanze icegeranyo c'imfatakibanza, mu bwigenge kandi zisunze Itangazo mpuzamakungu ryerekeye gukurikirana amatora ryashikirijwe muri Gitugutu umwaka wa 2005.*

*Ku munsi w'amatora, abo barorerezi bo mu murwi w'ishirahamwe ry'abanyaburaya ujejwe gukurikirana amatora, baragendeye ibiro vy'amatora bishika kuri 189, mu ma komine 129 agize igihugu kugira ngo bihweze itangurwa icese ry'amatora, bayakurikiranire hafi, baharure ivyavuyemwo bongere bihweze itangazwa ry'ivyayavuyemwo.*

*Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Uujejwe Gukurikirana Amatora, uzokwihweza kandi ibikorwa bihereza amatora na cane cane ukwegeranya ibiharuro, n'ikiringo gihambaye co kwihweza neza amatati yabaye mugihe co gutora n'ingene botorera umuti ayo matati. Umurwi w'Ishirahamwe ryAbanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uzotangaza icegeranyo ntabanduka muri rusangi ku vyihwejwe vyose, hatarenze amezi abiri amatora arangiye.*

## ICEGERANYO C'IMFATAKIBANZA

- Kuva mu kwezi kwa Rusama, gushika mu kwezi kwa Nyakanga umwaka wa 2010, Reta y'Uburundi iriko iratunganya amatora agira kabiri inyuma y'intwaro mfatakibanza, n'ingwano ihitiye. Aho bitaniye n'amatora yabaye mu mwaka wa 2005, abarundi ubu bazokwitorera bonyene Umukuru w'Igihugu, kandi ayo matora yose akaba yateguwe n'abarongozi b'abarundi ubwabo. Politike y'Uburundi yagiye irahindagurika bituma haboneka imigambwe myinshi. Amatora y'abajenama b'amakomine ari nayo yabaye ayambere mu rukurikirane rw'ayandi atanu ategekanijwe mu Burundi, yari ategekanijwe kuba kw'itariki 21 Rusama, yaciye

yungururizwa kw'igenekerezo rya 24 Rusama mu mwumvikano, kandi akaba yerekana intumbero y'amatora yose azokwirikira.

- Amatora yagenze neza hisunzwe amategeko mpuzamakungu agenga amatora n'intwaro rusangi. Amatora yatunganijwe n'Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora, CENI, mu mahoro naho hari ingingo zagiye zirafatwa gihutihuti kandi zitevye. Umurwi w'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urashima cane uko amatora yagenze, mu mahoro n'umutekano, ahagarikiwe n'abajejwe umutekano, akongera akitabwa n'abanyagihugu isinzi.
- Abanonosoye amategeko mu Burundi baratanga intumbero irashe ngenderwako zigenga amatora yo mu ntwaro rusangi zihuye n'amategeko mpuzamakungu yateweko igikumu kandi akemezwa na Reta y'Uburundi. Ariko rero, bivuye ku mvo z'ugufata ibintu minenerwe, no kudatomora neza ivyerekeye amategeko mu nzego z'imigwi yigenga ijejwe gukurikirana amatora mu ntara CEPI, no muyandi ma sentare, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora, umenyesha ko udashimishwa n'uko ivyerekeye ayo matati bititeguriwe bikwiye imbere yuko amatora aba.
- Ni ubwambere Reta y'Uburundi yiyemeza kwitunganiriza yonyene amatora. Umurwi wigenga w'igihugu ujejwe gutunganya amatora, CENI, washizweho kugira uzokwame ariwo utunganya amatora yose azoba mu Burundi, ukaba rero ufise amashami mu ntara zose, ni ukuvuga ko ku rwego rw'intara hari ama CEPI, ku rwego rw'amakomine hakaba ama CECI, iyo mirwi yose ikaba ijejwe gutunganya amatora. Ishirwaho ry'uwo murwi wigenga w'igihugu ujejwe gutunganya amatora, CENI, naho ryatevye, ryabaye hakurikijwe uburinganire mu bwoko bw'abawugize, uburinganire ku bitsina, hamwe n'uburinganire ku vyerekeye politike. Ivyo rero vyatumye iyo mirwi yose iba ihuriro ry'imirwi yose y'abantu ata n'umwe ukumiriwe bigatuma haba ukuyizera.
- Ku vyerekeye amatora y'abajenama b'amakomine, hari hategekanijwe ku rutonde imigambwe 24 yitoza, n'abitoza ku gatwe kabo 5 mu makomine yose uko ari 129. Ama CEPI yaronse kurutonde abitoza 1.492 bava mu migambwe, n'abandi 7 bari ku rutonde bitoza ku gatwe kabo. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora, warabonye ko amatora yagenze neza kandi yitabwe n'abarundi benshi. Abankiwe, ama CEPI yarabumvikanako hamwe n'imigambwe canke n'abitoza bigenga ari navyo vyatumye imyidogo igabanuka.
- Uburenganzira bw'abakenyezi ngo bagire nabo ico baterera mu vyerekeye politike biremewe n'amategeko. Ariko rero Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora, warabonye ko imigambwe myinshi itubahirije amategeko agenga amatora. Kugira rero bikunde ko abakenyezi baronka ibice 30% mu bajenama b'amakomine, bazotegerezwa kwongerezwa.
- Kugira abatora bose baronke uburenganzira bwabo, bwo gutora, Umukuru w'umurwi wigenga w'igihugu ujejwe gutunganya amatora, CENI, warashizeho urukurikirane rw'ingingo zimwe zimwe zerekeye abantu bifuza gutora ariko bafise imvo nyinshi

zobabuza kuja gutora. Naho rero hariho utunenge tujanye no gucererwa twabonetse mu kiringo c'imbere y'amatora bikanatera ingorane ku kiringo c'amatora categekanijwe, Umurwi wigenga w'igihugu ujejwe gutunganya amatora, CENI wagiye uradutorera inyishu kugira ntihabe intambamyi dutera mu kiringo c'amatora.

- Ku mvo z'ubuhinga, buca amatora aba, Umurwi wigenga w'igihugu ujejwe gutunganaya amatora, CENI, waciye wunguruza isango ryari ritegekanijwe gutorerako, iryongerezako amasaha 48. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gutunganya Amatora uvuga ko iyunguruzwa ry'isango y'amatora ryari nkenerwa ariko ukanegura ko iyo ngingo yafashwe gihutihuti bitari bizwi, amasaha ageze kure kandi ko n'amategeko mpuzamakungu agenga ivy'amatora avuga neza ko ingingo nkizo zifatwa zabanje kwigwa neza ko zihuye n'ibikenewe kugira ngo amatora agende neza. Umukuru w'Igihugu nawe yaciye mu nyuma ashikiriza ko amatora asubiye kwungururizwa kw'itariki 24 Rusama. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora ugasaba ko ingingo zibereye zihutirwa zofatwa n'Umurwi wigenga w'igihugu ujejwe gutunganya amatora, CENI, kugira no mu matora azokurikira ntihabe ukunguruza isango gihutihuti.
- Mu ntumbero yo gukorera ku mugaragaro, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora, usavye ushimitse Umurwi wigenga w'igihugu ujejwe gutunganya amatora, CENI, Umurwi ujejwe gutunganya amatora ku rwego rw'Intara, CEPI,hamwe n'Umurwi ujejwe gutunganya amatora ku rwego rwa Komine, CECI, ko botangaza vuba bwango ibiharuro vyose kandi vy'ukuri vyavuye mu matora y'abajenama b'amakomine yo kuwa 24 Rusama. Uwo murwi kandi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya, urongera kandi ugasaba CENI ko ibiro vyose vy'amatora vyoba vyugururiwe uwariwe wese yipfuza kubijamwo.
- Imyiyamamazo y'abajenama b'amakomine yatanguye kuva itariki 5 gushika itariki 18 Rusama uyu mwaka, yabaye mu mutekano, naho hari aho twumvise impanuka zimwe zimwe nk'abashatse kurwana n'abandi bateranye amajambo mabi bahungabanya amahuriro canke amanama y'imigambwe. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urakeje imigambwe itagize uko ishavu rigize ngo itere imidugararo bivuye kuri izo mpanuka zashikiye bamwe bamwe, ariko ugashimikira mu gukomeza amahoro no kwisunga ingendo ibereye. Muri rusangi, abajejwe umutekano nabo barawuhagarikiye neza. Mu ntumbero yo gushigikira amahoro, Umurwi w'Ishirahamwa ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uratera intege abajejwe umutekano ngo ntibakubite urugohe ahubwo bashishikare gushigikira ubumwe n'amahoro n'uguhana abashaka kuyahungabanya, ugasaba abajejwe ubucamanza gukurikirana abegwa n'amakosa y'uguhungabanya umutekano.
- Muri rusangi, uburenganzira bwo gushikiriza ivyiyumviro, bwo kuja mu mashirahamwe, n'ubwo kwishira no kwizana bw'abitoza bwarubahirijwe. Mugabo rero mu biteye kubiri n'ingendo nziza mu mahiganwa, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora ntushimishwa n'ingene hakoreshejwe uburyo bwa Reta mu gihe co kwiyamamaza.

- Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urashima ukugene CENI n'amashirahamwe yigenga adaharanira inyungu za politike yavyiyamirije. Mugabo ikibabaje n'uko ata bihano vyafashwe. Ku vyerekeye naho ibibanza vy'amahuriro y'imigambwe yiyamamaza ngo izokwitoze, vyaratanzwe kurugero rungana.
- Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora warashimye kandi igikorwa gikomeye c'abigenga badaharanira inyungu za politike, bakwije abarorerezi b'amatora muntara zose z'Uburundi.
- Nk'uko vyagenze mu 2005, urunani rw'amaradiyo rwarasubijweho kugira rukwirikirane amakuru yose y'amatora, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora, urashima cane ico gikorwa c'abamenyesha makuru, ukanabatera intege ngo batere baja imbere kandi no mu matora yimirije bazokore nkuko, mbere banarushirizeho. Ivyo bimenyeshamakuru bitandukanye vyarafashije mu kumenyesha imigambi ya politike y'abitoza bose. Ibimenyeshamakuru vyarubahirije ubwigenge bw'ukumenyesha amakuru.
- Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora wasanze umugambwe uri ku butegetsi wariganje mu bimenyeshamakuru vya Reta, nayo, amaradiyo y'abigenga baraha umwanya ukwiye abanyepolitike batandukanye bose.

## IMYIHWEZOY'IMFATAKIBANZA

### I. MU VYEREKEYE POLITIKE

Amatora ya mbere y'inyuma y'intambara yabaye mu 2005, inyuma y'intwaro mfatakibanza yashizweho hisunzwe amasezerano ya Arusha yerekeye Amahoro n'ukurekuriranira mu Burundi. Muri ayo matora ntibadomako urutoke uwo batora, yatsinze NKURUNZIZA Petero yagenywe n'umugambwe CNDD-FDD. Uwo mugambwe warongeye utahukana ibice 60% mu matora y'abajenama b'amakomine eka mbere no mu Nama Nshingamateka. Nk'uko Ibwirizwa Shingiro ryategekanya uburinganire bwa politike n'ubwoko, harashinzwe Reta ihurikiyemwo bose n'imigambwe mikuru mikuru.

Kuva muri Rusama gushika muri Nyakanga 2010, Reta y'Uburundi iriko irarínganiza amatora agira kabiri kuva inyuma y'intambara n'intwaro mfatakibanza, umugwi wanyuma warwana Palipehutu-FNL, ukaba warinjiye mu ntwaro kuva muri Ndamukiza 2009. Itandukaniro n'amatora yo mu 2005 n'ay'ubu nuko ubu Abarundi bitorera Umukuru w'Igihugu kandi amatora akaba aringanijwe n'abarundi bonyene. Haravutse imigambwe myinshi. Ayo matora yerekana intambwe nini mu gukomeza amahoro n'intwaro rusangi mu Burundi.

Ikiringo co gutora kigizwe n'amatora atanu kandi urutonde rwayo rwemeranijwe n'abanyepolitike: ay'abajenama b'amakomine (24 Rusama), ay'Umukuru w'Igihugu(28Ruheshi), ay'abashingamateka(23 Mukakaro),ay'abakenguza mateka (28

Mukakaro), n'ay'imitumba (7 Nyakanga). Buca amatora y'abajenama b'amakomine aba igenekerezo rya 21 Rusama 2010, barayunguruje aja ku wa 24 Rusama 2010 ata gahigihigi. Imigambwe 24 n'abigenga 5 baritoje. Ayo matora y'abajenama b'amakomine arahambaye, akaba abaye icitegererezo ca mbere c'ayandi.

## II. MU BIJANYE N'AMATEGEKO

Amategeko y'Uburundi ategekanya neza na neza ukwo amatora abwirizwa gutunganywa hisunzwe amategeko mpuzamakungu ajanye n'ivy'amatora, mu rukurikirane rw'amatora ya bose yerekana ingene ibiringo vy'amatora bitunganijwe.

Amategeko agenga amatora rusangi yo mu mwaka wa 2010 agizwe n'ibitabu vyinshi vy'amategeko nko mw'Ibwirizwa Shingiro ryo mu mwaka wa 2005, Itegeko rigenga amatora ryo mu mwaka wa 2009 hamwe no mu yandi mategeko yashizweko igikumu n'umukuru w'igihugu, amatangazo, n'amategeko bwirizwa y'umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu ari nawo ujejwe gutunganya no gusigura ido n'ido uko amatora atunganijwe. Izo nyandiko zose n'amategeko arimwo bikomoka mu Masezerano y'i Arusha yashizweko umukono kuwa 28 Myandagaro 2000, yo ashimikiye ku buringanire bw'amoko, imigambwe hamwe n'ibitsina.

Hisunzwe amategeko mpuzamakungu mu vyerekeye amatora, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urashima intumbero igororotse idakumira ya bene gushinga amateka mu Burundi basaba ko hoba abaserukira inkehwa n'abakenyezi mu matora y'abajenama b'amakomine kandi bagategekanya ukuntu hongerezwa abandi kugira ngo ubusumbane buhave. Mugabo naho hagiyemwo umwumvikano ku ntambamyi zagiye ziraboneka, izo ntumwa zisanga hariho ibitavugwa kandi bidatomoye ku vyerekeye ingene amatati yibonekeje imbere y'ama CEPI yotaturwa kandi uwo mugwi urimwo ababifitiye ububasha. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urahimiriza Umurwi wigenga w'igihugu ujejwe gutunganya amatora, CENI, ko woshinga amategeko abereye imbere y'amatora azokwirikira. Aha uyo mugwi wasanze hakenewe amategeko akwiye kandi anonosowe, naho Umurwi wigenga w'igihugu ujejwe gutunganya amatora, CENI, ugira utwigoro two gutanga inyishu ku ngorane, ibicishije mu ngingo n'amatangazo ku ngorane ziza ziribonekeza. Akarorero nk'impanuro zisabwa abitoza mu ma komine canke ingene ayo matora agenda.

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urerekana kandi ko hakenewe ivyongerwa mu gitabo c'amatora na cane cane mu gukwirikiza amategeko ahari.

### *Iringanizwa ry'amatora*

Iringanizwa ry'amatora y'abajenama b'amakomine, riritegekanya ko abaronse amajwi menshi bashikana ibice 2% ku rwego rwa komine baguma ku ntonde ntayegayezwa.

Abajenama ni 15 kw'ikomine imwe imwe muri 129 zigize igihugu, bose bakaba ari 1935 mu gihugu cose. Intonde z'amatora y'abajenama b'amakomine zitegerezwa kwisunga ubudasa bw'ubwoko n'igitsina mugabo nta ntonde zo gusubirizanya n'igiharuro bafatirako nk'uko biri mu matora y'abashingamateka. Iyo ubwo buringanire budashitsweko mu masandugu y'itora, Umurwi wigenga w'igihugu ujejwe gutunganya amatora, CENI, urategeka ko haba iyongererezwa ariko abongererejwe ntibashobora kurenga ica gatanu c'abagize Inama mpanuzwajambo ya Komine.

Ukutumvikana kw'imigambwe ku vyerekeye ikarata y'itora imwe mu matora ya 2010, kwatumye habaho kubandanya ikoreshwa ry'amakarata y'itora menshi nko 2005, ariko, iharura rikaba mu masandugu abiri. Ubwo buryo butuma mu gutora bashira ibahasha ryera (irimwo ikarata umuntu ahisemwo), akayirokeza mw'isandugu ritoya, hanyuma ikarata banse zigashirwa mw'ibahasha ryirabura, agaca aricokeza mw'isandugu ry'irabura(rinini).

Itegeko ryo mu 2009 rirahana uwusohokanye amakarata y'itora. Iryo tegeko riraha uburenganzira Umurwi wigenga w'igihugu ujejwe gutunganya amatora, CENI, kubigenzura hakurikijwe uburyo ishira ho umunsi w'amatora.

Ikindi, ayo mategeko arategekanya ko Umurwi wigenga w'igihugu ujejwe gutunganya amatora, CENI, ushobora gushing urugero mu gihe rurengewe amatora aca afudika iyo amakarata y'itora yatanzwe ku biro vy'itora adahwanye n'ayaharuwe mu gihe c'iharura. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora usanga ko, naho iringanizwa ry'amatora mu Bururndi har'utunenge twokosorwa, ubwigenge na cane cane ubwa politike buriho.

## III. ITUNGANYWA RY'AMATORA

Ni ubwa mbere, Repubulika y'Uburundi yiyemeza kuringaniza amatora. Umurwi wigenga w'igihugu ujejwe gutunganya amatora, CENI, urwego ntayegayezwa, niwo ushinzwe kuyaringaniza, kandi urigenga mu ntwaro no mu gukoresha amafaranga. Uwo mugwi ufashwa n'amakungu, cane cane mu buhinga no mu mafaranga.

Naho ishirwaho ryawo ryatebejwe n'amasezerano ya Politike, abawugize bashizweho hisunze uburinganire bw'amoko, igitsina n'imigambwe. Ivyo vyaraworoheye gukora ataho wegamiye kandi atawe ukumiriye, biwuha kwizerwa n'abafise uruhara mu matora.

Ku rwego rw'intara, Umurwi CEPI urafise uruhara mu kuringaniza amatora, mu matora y'abajenama b'amakomine no gutangaza ivyayavuyemwo.

Ku rwego rwa Komine, Umurwi wigenga w'igihugu ujejwe gutunganya amatora, CENI, userukirwa na CECI, ufise ububasha bwo gushira ho abagize ibiro vy'amatora.

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urashima ishirwa ho ry'abagize ibiro vy'amatora mu ndwi y'itariki 5 gushika 11 Rusama, CECI zakwirikije amategeko aringaniza amatora hisunzwe uburinganire bw'amoko, imigambwe n'ibitsina. Ubwo buringanire bwarakwirikijwe mu gushira ho inzego za CEPI na CECI.

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urashima ko ubuyobozi bwose bw'amatora bwari bufise igikorwa kizwi kandi ko amakuru yarengana neza. Umurwi wigenga w'igihugu ujejwe gutunganya amatora, CENI, wararinganije ibiganiro n'imigambwe, warongeye urashira ho umurongo ngurukanabumenyi hacako ingingo n'amakuru yerekana itegurwa ry'amatora.

Umurwi wigenga w'igihugu ujejwe gutunganya amatora, CENI, warigishije kandi abagize imirwi yo mu ntara, mu ma Komine no ku biro vy'amatora.

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urashima ko izo nyigisho zihuye n'izitangwa mu yandi makungu. Ku menyesha ubudasiba n'uwo murongo w'ingarukanabumenyi, vyerekana umuco uwo murwi wa CENI ukorera mwo.

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urabona ko itunganywa ry'amatora ryagize inguvu ku vyerekeye ingorane giturumbuka z'ayo matora mugabo ukabona ko vyamenyeshwa bitevye. Uwo murwi nyene, urerekana ko ingingo nyinshi zari gufatwa hakiri kare kugira haboneke umuco, ubwiza n'ubuhinga bisabwa n'amategeko mpuzamakungu kugira habe itunganywa rimwe mu gihugu cose.

Nk'isaha zitatu z'ijoro, buca haba amatora y'abajenama b'amakomine, Umurwi wigenga w'igihugu ujejwe gutunganya amatora, CENI, waratangaje kw'iradiyo ko amatora yigijwe imbere amasaha 48. Umukuru wa CENI yabisiguye avuga ko impamvu ari uko amakarata y'itora yakeshe mu dutabu twa 50 na 100 twayo makarata y'itora y'imigambwe ya SAHWANYA FRODEBU na SAHWANYA FRODEBU NYAKURI IRAGI RYA NDADAYE, ko amakarata y'itora atondetswe nabi mu ma sandugu kandi ko hari n'ayanditse nabi. Kubera izo mvo zose, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora usanga ko kwigiza imbere ayo matora vyari bikenewe mugabo ivyo ntibishimisha uwo murwi kuko vyakozwe biteba. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora usaba ko mu matora azokwirikira ko Umurwi wigenga w'igihugu ujejwe gutunganya amatora, CENI, wokwitegura bikwiye kugira ivyo ntibizosubire.

Ubwa nyuma Umukuru w'igihugu yararitse abarundi, afashe itegeko, ko amatora y'abajenama b'amakomine azoba italiki 24 Rusama, ivyo bikaba vyakiriwe neza n'abanyepolitike!

## IV. IYANDIKWA RY'ABITOZA N'INTONDE Z'ABITOZA

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora usanga ko ico gikorwa cakozwe kikongera kigakurikiranywa nabo bose cega, nico gituma ama CEPI, amakomine n'imigambwe canke abigenga bari hamwe bakinze ko hoba ukwidoga n'ukwitwara. Mw'itegeko N°17 ryo kuwa 25 Ruhuhuma 2010, Umurwi wigenga w'igihugu ujejwe gutunganya amatora, CENI, warahamagaye ko abashaka kwitoza mu bibanza vy'abajenama b'amakomine boshika kwiyandikisha. Yarabamenyesheje ko, hakwirikije itegeko rigenga amatora, idosiye z'abitoza ku migambwe canke ku giti cabo zizogira ibisabwe vyinshi.

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora ubona ko ibisabwa birengeye, hihwejwe ingene kugira ngo ubironke bisaba uburyo bwinshi kandi bigasaba umwanya munini kugira ubironke, dufatiye ku bisabwa bimwe bimwe umuntu ategerezwa gushika i Bujumbura kugira abironke, ivyo navyo bikaba bitorohera imigambwe imwe imwe, hamwe n'abigenga bamwe bamwe, badafise uburyo bukwiye.

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora washitse igikorwa c'iyandikwa ry'abitoza (abitoza) n'intonde zabo cararangiye gukorwa (kuva italiki 7 gushika 16 Ndamukiza 2010), uwo mugwi urongera ugashimira CENI ko yavyifashemwo neza, kubera ko mu ngingo yayo ya N°20 y'italiki 9 Ndamukiza 2010 yashitse ku ntumbero zikomeye yisunze umwanya muto wo kuzishikiriza n'impanuro zasabwa na cane cane nkizi: ingene umuntu yigenza, mu migenzo no mu mibano. Umurwi wigenga w'igihugu ujejwe gutunganya amatora,CENI, warafashe ingingo zijanye n'igihe amatora abandanya no kworohereza abarondera ivyangombwa mu kubarindira.

Ku matora y'abajenama b'amakomine, imigambwe 24 n'abigenga 5 bitoza, bari ku rutonde mu makomine 129 yo mu Burundi. Ama CEPI yaronse intonde zemejwe 1492 z'imigambwe ya politike hamwe n'izindi ntonde 7 z'abigenga. Mu vyatuma abitoza canke intonde z'abitoza bitemerwa, CEPI ivuga cane cane ko ari kubera amadosiye adakwiye, uguserukirwa kw'amoko n'ibitsina bitubahirijwe, imyaka yashinzwe itubahirijwe, kutagira ubwenegihugu n'ukuba ufise urupapuro rwemeza imico n'imigenzo myiza, ariko urwo rupapuro rukazotegerezwa kuboneka kw'igenekerezo rya 7 Mukakaro.

## V. IYANDIKWA RY'ABAZOTORA

Ku banyagihugu bari mu Burundi bangana 8.053.574, hiyandikishije abanyagihugu bazotora bangana 3.552.731. Bisigura ko mu mwaka wa 2010, abiyandikishije bongeyeko 415.765 uravye amatora ya 2005, ni ukuvuga ko hiyongeyeko ibice 13%. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urashima cane ako kigoro ko kwiyandikisha k'abarundi ariko ukongera ukamenyesha ko urutonde rw'abazotora rwoba rumwe kandi

rukemezwa, mu gihe hoba hariho igitabu kirimwo urutonde rw'ayo mazina yose y'abiyandikishije.

Uretse ko ikiringo c'imbere y'amatora caranzwe n'ugucererwa kw'ibikorwa vyatumye n'amatora yigizwa inyuma, Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, wagiye uratorera inyishu vuba bwango izo ngorane zaje giturumbuka hamwe n'ingorane zijanye n'ugutunganya amatora.

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uvuga ko igikorwa co kumanika intonde z'abiyandikishije, naho cacerewe, vyagaragaye ko abiyandikishije gutora bataje kuraba ko banditswe kugira ngo hakosorwe utunenge tumwe tumwe. Vyarafashije mu kwerekana ko ivyanditswe vyose vyokwizerwa, bikaba rero bijanye n'imigenzo mpuzamakungu muri ico gikorwa.

Igitabu c'amategeko agenga amatora gitegekanya ko kugira ngo umuntu aronke uburenganzira bwo gutora, umunyagihugu aba afise ikarata karangamuntu, ikarata y'itora akaba kandi ari ku rutonde rw'abatora. Ariko rero, ico gitabu kiremerera umuntu gutora afise kimwe muri ivyo bisabwa, iyo ari ku rutonde rw'abazotora kandi mu gihe abarongoye ibiro vy'itora bavyemeye. Kugira ngo abatora ntibimwe uburenganzira bwabo bwo gutora, uwurongoye Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, yaramenyesheje ingingo zerekeye abantu bazoba bari mu bihe bidasanzwe bitategekanijwe n'igitabu c'amategeko agenga amatora. Abiyandikishije ngo batore barashoboye gutora bakoresheje ka gapapuro baronswa bahejeje kwiyandikisha (resepise), iyo bari ku rutonde rw'abazotora. Ku vyerekeye abatari ku rutonde rw'abazotora, barashoboye gutora berekanye ikarata yo gutora na karangamuntu canke bazanye ivyabona bibiri. Abasirikare n'abapolisi nabo nyene barashoboye gutora berekanye ikarata y'akazi. Haratanzwe kandi uburenganzira ku migwi imwe imwe y'abiyandikishije gutora mu biro vy'itora atari ivyo biyandikishirijemwo ariko ntibarenge abantu 10 ku biro vy'itora. Ico ni ikintu gishasha gifise ico gifasha mu gutora ku mugaragaro, na cane cane mu gusuzuma neza ko ku rutoke rw'uwatoye hariko rya rangi ritazimangana.

Mu ntumbero yo gukorera ku mugaragaro, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora wasavye Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, Umurwi ujejwe gutunganya amatora ku rwego rw'Intara, CEPI, n'Umurwi ujejwe gutunganya amatora ku rwego rw'amakomine, CECI, ngo batangaze vuba bwango ibiharuro vyerekeye amatora yo kw'itariki ya 24 Rusama 2010. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora wasavye kandi Umurwi wigenga w'igihugu ujejwe gutunganya amatora CENI ngo uwuhe uburenganzira bwo gushika aho hose hari ibikoresho vyerekeye amatora mu biringo vyose vy'igikorwa c'amatora.

## VI. UKWIYAMAMAZA

Ukwiyamamaza mu matora y'abajenama b'amakomine kwatanguye kuva itariki 5 gusozerwa itariki 18 Rusama, kwabaye mu mutekano muri rusangi. Uburenganzira bw'abitoza (abakandida), bwaba ubwo guserura ivyiyumviro, ubwo kuja mu murwi umuntu yipfuza hamwe rero n'ubwo gushika aho wifuza bwarubahirijwe muri rusangi. Ariko mu gihe co kwiyamamaza, harabaye ingorane zibonekeje, na cane cane mu vyerekeye guterana amajambo no kubuza amanama yo kwiyamamaza vyashitse cane cane hagati y'imigambwe CNDD-FDD; FNL ; MSD, na UPD. Iyicwa ry'uwujejwe igikorwa co kumenyekanisha umugambwe MSD italiki 13 Rusama, ryakurikiwe n'ubwicanyi bw'abanywanyi 3 ba FNL bukeye bw'aho, ryatumye haba icuka kibi mu myiyamamazo. Imishamirano hamwe rero n'ukugomba gushamirana ni ingorane mu gutunganya amatora yisunze intwaro rusangi kandi Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uravyiyamiriza. Uwo murwi nyene, warashoboye kwibonera yuko, imigambwe myinshi ibona ko ari impfu ziturutse ku mvo za politike, bitatumye havuka iyindi mishamirano, ariko abantu bahamagariwe gutekana kugirango ntihongerekane imishamirano, hakurikijwe amategeko yerekeye kwigenza neza, imigambwe itari mike yashizeko umukono.

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uranezerejwe n'ingene abantu benshi bashimye igikorwa caranguwe n'igipolisi. Henshi vyaragaragaye ko igipolisi cakoze neza mu mutekano mu kubungabunga umutekano bakanafasha mu gukinga imishamirano hagati y'abanywanyi b'imigambwe. Mu vyerekeye gutegura amatora, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urahimiriza igipolisi n'igisirikare mu kabasaba ko bobandanya gukinga no kubumbatira umutekano, hanyuma inyamiramabi nazo zikurikirane abagirizwa ibikorwa vy'uguhungabanya umutekano.

Ingingo ya 20 y'Itegeko ritunganya imigambwe n'ukugene ikora irerekana neza ko Reta idatanga uburyo bw'amafaranga yo gufasha ingene imigambwe ikora, ariko Reta iratanga amafaranga mu gihe co kwiyamamaza kw'abazokwitoza mu rwego rw'Umukuru w'Igihugu, urw'Abashingamateka n'urw'Abajenama b'amakomine, iyo mfashanyo itunganywa na Reta yonyene. Naho biri uko, Umushikiranganji w'intwaro yo hagati yaremeje imbere y' Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora ko mu mafaranga yategekanijwe na Reta mu mwaka wa 2010 iyo mfashanyo ntiyateguwemwo.

Imigambwe mirongo ibiri n'ine yonyene n'abandi bigenga batanu bazokwitoza ; bariyamamaje bahiganirwa ikibanza c'Abajenama b'amakomine, uravye ingene iyo myiyamamazo yagenze, wamengo bariko bahiganirwa ikibanza c'Umukuru w'Igihugu. Abakurikiranye iyo myiyamamazo barabonye ko uburyo butari bumwe ku migambwe yose, CNDD-FDD ikaba yari ifise uburyo budasanzwe bwo kwimenyekanisha ugereranije n'iyindi migambwe yiyamamaza.

Kubw'ivyo, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urashimishwa n'ukugene amatungo ya Reta yabujijwe gukorwako, n'abarongoye amakomine, abakozi ba Reta eka na barya bacanze imitahe na Reta, kandi ko amashirahamwe yigenga, n'Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, yaradomako urutoke uwuyakozeko muri ico kiringo co kwiyamamaza. Ariko rero, abadomweko urutoke ntibigeze bahanwa nk'uko vyategekanijwe n'amategeko. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uvuga ko ugukoreshwa kw'amatungo ya Reta biteye kubiri n'itegurwa ry'imyiyamamazo ringana kuri bose kandi ribereye.

Iyo myiyamamazo yagaragaje ko hari impande zibiri zihiganwa muri politike : umugambwe wa CNDD-FDD n'imigambwe bicuditse hamwe rero niyo bitavuga rumwe. Kandi uko kwicamwo kubiri s'ibintu bigaragara canke bihagaze ku vyiyumviro ngenderwako canke vy'imigambi, ariko bikabonekera muvyo bavuga bagirizanya iminsi yose. Ayo majambo yo kwagirizanya turayasanga no mu majambo bakoresha mu kwiyamamaza ariko kenshi ugasanga ata ntumbero ya politike canke imigambi ya ma komine irashe bashikiriza iyo bariko bariyamamaza. Iyo imyiyamamazo igirwa ku nzu ku nzu, ingorane nya mukuru usanga zishimikiye mu bihuha bijanye nitangwa ry'ibigwanisho, canke mu guter'ubwoba abantu, ivyo navyo bigatuma Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora wibutsa ko dukurikije amategeko mpuzamakungu, amatora ategerezwa kuba mu mwidegevyo kugira n'abatora bagire ubwigenge mu vyiyumviro vyabo.

## VII. AMASHIRAHAMWE YIGENGA ADAHARANIRA INYUNGU ZA POLITIKE, ABAROREREZI BO MU GIHUGU NA MPUZAMAKUNGU N'INYIGISHO ZIJANYE N'AMATORA

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uzoba uri umugwi uhagarikira amatora ku rwego mpuzamakungu, kandi uwo mugwi uzoba uhambaye mu Burundi mu kiringo c'amezi ane ar'imbere, ukazoba ufise abahagarikizi bababa 90. Abandi bahagarikizi mvamahanga barahari ariko ibiharuro biva mu murwi wigenga ujejwe gutunganya amatora CENI ntivyerekana ko bahagarikiye amatora yo kurwego rwa Komine. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urakeza amashirahamwe yigenga adaharanira inyungu za Reta kubona yarahagarikiye amatora ya Komine mu ntara zose z'igihugu, uwo murwi urakeza bimwe bishimishije urunani rw'amashirahamwe yigenga COSOME. Iryo shirahamwe ryigenga COSOME rikaba ryari rifise abahagarikizi 4600 mu ntara zose z'igihugu. Kukaba nkako, umurwi uhurikiyemwo amashirahamwe, wo mu gihugu na mpuzamakungu warashizeho umugambi **Amatora mu mahoro**, akaba ari umugambi wo gukurikiranira hafi ingendo y'intwaro rusangi no gutorera umuti amatati yohava aturuka mu matora.

IFES- Burundi, ni ishirahamwe ryigenga karuhariwe mu vyerekeye amatora, hamwe na ACCORD-RSA irindi shirahamwe ryigenga ryo muri Afrika yepfo ryiga gutorera inyishu

amatati mu mahoro, ryarashizeho uwundi mugambi witiriwe « Umunywanyi w'amahoro ». Igikorwa nyamukuru c'uwo mugambi ni ugutunganya igisata c'abanywanyi b'amahoro bashika ku 570 bazoba abahuza mu kiringo c'amatora y'i 2010 mu Burundi. Abo bahuza ntibatanguranye igikorwa cabo n'amatora y'abajenama b'amakomine. Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, ibicishije mu buhinga bwayo bushasha bw'ingurukanabumenyi, no mu kwimenyekanisha mu binyamakuru yaragize akigoro mu kumenyesha inkuru zijanye n'amatora hamwe n'inyigisho zijanye n'amatora.

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urabona uruhara ntangere rw'amashirahamwe yigenga adaharanira inyungu za Politike yo mu gihugu na mpuzamakungu mu gutez'imbere umugambi w'intwaro rusangi no mu kuwutora utunenge

## VIII. IBITSINA N'INKEHWA

Amategeko y'uburundi ndetse na mpuzamakungu araha uburenganzira abakenyezi n'inkehwa mu kwitaba no mu gukurikiranira hafi ivy'apolitike mu Burundi. Itegeko ngenderwako ribisigura riri mu masezerano ya Arusha. Turasubira kubisanga kandi no mu mategeko ngenderwako yo mu gitabu c'Ibwirizwa Shingiro yo mu mwaka wa 2005.

Dukurikije ibiharuro Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora washoboye kuronka ku vyerekeye intonde z'abitoza mu matora y'abajenama b'amakomine, imigambwe myinshi ntiyubahirije ingingo y'i 127 yo mu gitabu ngenderwako c'amatora ; ivuga ko ku bitoza 3 biyandikishije ku ntonde umwe kuri bane ategerezwa kuba umukenyezi. Urwego rukuru ruraba amatora ntirwashize mu ngiro iryo tegeko nkuko bibwirizwa. Impinga iracari ndende mu kugira tubone ibice 30% vy'abakenyezi mu rwego mpanuzwajambo rw'amakomine, ni ngombwa ngo ivyo bitigiri vyongerezwe. Ku rwego rw' Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, no mu zindi nzego ziyikukira, abakenyezi bafise ibice 30%.

Ibwirizwa shingiro riritegekanya ibibanza vy'ubwoko bw'abatutsi n'abatwa. Abatwa bazoserukirwa mu Nama Nshingamateka na Nkenguzamateka hakurikijwe amategeko.Mu ntango z'umwaka wa 2010 abatwa bangana 21.000, nibo baharurwa ko bashoboye kuronswa amakarata ya karangamuntu hakurikijwe umugambi w'itangwa ku buntu ry'amakarata karangamuntu. Abatwa rero, barashoboye kugira uruhara ka bunyagihugu mu gutora mu matora y'Abajenama b'amakomine eka mbere no mu kwitoza.

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urashimishwa n'ukugene ku ntonde z'imigambwe abatwa bashoboye kuja mwi higanywa mu makomine menshi, naho atari benshi ukurikije ingene bangana mu bice vyose. Itariki 18 Rusama 2010, ishirahamwe ryigenga « Tuje hamwe mu gutez'imbere abatwa » (Unissons-nous pour la promotion des Batwa » ryatoye abazokwitoza baryo rica rishikiriza urwego rw'Umurwi

wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, kugira bashobore kuronka ibibanza mu Nama Nshingamateka na Nkenguzamateka.

## IX. AMATATI ATURUTSE KU MATORA

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora ntushimishwa n'ukubona ko amatati aturutse ku matora adasigugwa neza mu gitabu c'amategeko agenga amatora na cane cane amatati ashikirijwe muri CEPI no muri sentare iraba ikurikirana amakosa aturutse mu matora. Igitabu c'amategeko agenga amatora nticerekana itegeko rigenga amatati y'amatora riragabanya ububasha mu gihe c'amatati y'amatora ryisunze ubwoko bw'amatora kandi rikagena urwego rubifitiye ububasha ku vyavuye mw'itora ryose.

Ku vyerekeye amatati y'Abajenama b'amakomine, CEPI niyo ya mbere kandi yanyuma vyega. Naho ingingo ziri mu gitabu c'amategeko agenga amatora zerekana igihe co kwitwara, inzira zo gucamwo witwara ushikiriza ibirego ntizitomoye. Kukaba nkako, amatati y'imbere y'amatora yagiye ku menyekana mu nyuma mu ngingo Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, wafashe, ariko, amatati y'inyuma y'amatora aterekeye amakosa y'amatora nta nsiguro afise.

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urasaba Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, mu gushiraho igitabu cojamwo ibirego vyose bijanye n'amatati y'amatora, kugira ngo hashobore kuboneka umuti wazo kandi ibintu bije ahabona. Kukaba nkako, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uzoguma ucungereye amatati aturutse ku matora ashobora kwibonekeza mu minsi ir'imbere.

Hihwejwe igikorwa cayo gihambaye, mu gisata gikuru kigizwe n'amategeko ya Repubulika y'Uburundi na cane cane mu nzira itomoye no mu gutangaza ubwanyuma ivyavuye mu matora y'abahiganwa mu kibanza c'Umukuru w'Igihugu, c'Inama Nshingwamateka hamwe na Nkenguzamateka, no muri kamarampaka, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora ntunezerezwa n'ukuntu Sentare yubahiriza ibwirizwa shingiro idafashwa bikwiye mu kurangura amabanga ijejwe.

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urasaba mu maguru masha ko abategetsi b'abarundi hamwe n'abafasha mpuzamakungu mu gisata c'ugutunganya amatora, ko bokongereza ubumenyi kugira ngo bafashe ico gisata kugira gishobore gutunganya neza amatora y'abahiganirwa ikibanza c'Umukuru w'Igihugu yimirije kuba itariki 28 Ruheshi 2010 agende neza.

Kubera ububasha buke buri mu mategeko agenga amatora y'Abajenama b'amakomine, hamwe n'uko ama sentare adafise ivyangombwa bikwiye mu gutegura ivyerekeye amatora mu Burundi, kubera yuko amategeko atabitomora neza ivyerekeye amatati ajanye n'amatora

ashikirizwa CEPI n'ama Sentare. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uranegura ko ivyerekeye amatati ajanye n'amatora atigeze yigwa bikwiye imbere y'igihe c'amatora.

## X. KUBIJANYE N'UKUMENYESHA AMAKURU

Ibwirizwa shingiro ry'uburundi, riratanga ubwigenge bwo gushikiriza amakuru, n'ikiri ku mutima ivyo tubisanga mu ngingo ya 19 na 31 nk'uko amasezerano mpuzamakungu yo kubahiriza agateka ka zina muntu abisaba. Itegeko nyamukuru rigenga umwuga wo kumenyesha amakuru n'itegeko bwirizwa inomero 1/025 ryo kuwa 27 Munyonyo 2003 ridakandamiza cane nk'aya mbere ariko rihana amakosa ajanye n'umwuga wo kumenyesha amakuru. Igisata co kumenyesha amakuru mu Burundi kiruguruye, ivyo navyo bikaba vyaratumye ivyiyumviro bishikira abanyagihugu. Ibinyamakuru vyarakoze akazi kavyo bikurikije amategeko ajanye n'ukumenyesha amakuru.

Nk'uko vyagenze mu 2005, ibimenyeshamakuru vyo mu gihugu vyarakoranye kugira bisenyere ku mugozi umwe kugira bikurikirane amakuru ajanye n'amatora yose. Mur'iyo ntumbero baciye bashira uburyo hamwe kugira bakwire igihugu cose, kugira bashikiriza amakuru nyayo, asesanguye neza hakurikijwe akaranga mutima k'umwuga wo kumenyesha amakuru. Ivyo binyamakuru vyaciye bifatwa mu mugongo n'umugambi PACAM, kugira bashobore gushika kuri ico gikorwa bishinze. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urashima ingene abamenyeshamakuru bakorera hamwe ugasaba yuko bobibandanya mu matora yimirije. Ibimenyesha makuru vyo mu Burundi vyarubahirije amategeko ngenderwako muri kino gihe c'amatora. Amategeko ngenderwako yasaba ibimenyeshamakuru kwubahiriza amategeko agenga umwuga wo kumenyesha amakuru n'itegeko rishinga urwego CNC rujejwe gucungera ingene amakuru atangwa mu Burundi hamwe n'akarangamutima karanga abamenyesha makuru.

Urwego rwa Reta CNC rujejwe gucungera itangwa ry'amakuru mu gihugu no kwubahiriza abamenyeshamakuru mu budasa no mu bwigenge bwabo.Naho ari uko, urwo rwego mu gihe c'imyiyamamazo rwarabonye « ugushaka guhengama ku ruhande rumwe mu gihe c'itangwa ry'amakuru » canke « abamenyeshamakuru bafatwa nabi », urwo rwego rwaguma rwibutsa ibimenyeshamakuru kudahengama no gutanga ijambo kuri bose.

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora iratera intege urwego CNC, mu kwama rumeze magabo kurivyo vyose vyohava bituma amatora akurikira atagenda neza.

Igisata kijejwe gukurikiranira hafi ivy'ibimenyeshamakuru bishikiriza c'Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora, carashoboye kuronka inkuru zijanye n'abamenyesha makuru bafashwe nabi, uwo murwi rero urasaba ko abamenyeshamakuru bokwubahirizwa muri kino gihe c'imyiyamamazo.

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urashima cane, ko bibaye ubwa mbere, kubona ibinyamakuru vya Reta vyaremeye gutanga ijambo ku buntu, ku banyepolitike bose n'abitoza bigenga kugira ngo bashobore gushikiriza imigambi yabo mu gihe co kwiyamamaza.

Ico gisata gikorana kandi kigakukira Umugwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Amatora, gukwirikirana ingene itangwa ry'amakuru ku banyepolitike ryagenda hagati y'amagenekerezo ya 9 na 18 Rusama.

Ico gisata nyene, carakurikiye ibiganiro vyerekeye politike mu masaha ya sasita no ku mugoroba ku mboneshakure y'igihugu, ku mirongo ya radiyo y'igihugu uko ari ibiri, kuri radiyo Isanganiro, kw'iradiyo y'Abanyagihugu, REMA FM, na Bonesha FM. Casanze umugambwe uturukamwo Umukuru w'Igihugu wariganje mu binyamakuru vya Reta na cane cane mu gutanga ijambo. Gurtyo, umurongo wa mbere (mu kirundi) w'iradiyo y'igihugu watanze ijambo kurugero rw'ibice 77% vy'umwanya ku mugambwe wa CNDD-FDD, umurongo wa kabiri utanga ibice 59% na televiziyo y'igihugu itanga ibice 50%. Ivyo bimenyashamakuru vya Reta vyahaye iyindi migambwe mikuru-mikuru umwanya ungana muri rusangi : ibice 40% vya CNDD-FDD kuri 17% vya UPRONA, FNL 13%, MSD 13%, UPD 9%, FRODEBU 5%, na CNDD yaronse 3%.

Ku bimenyesha makuru vyigenga, radiyo REMA FM, niyo ya mbere mu guhengama ! Yahaye umwanya ungana n'ibice 58% CNDD-FDD, ibice 10% UPD, FNL 9%, MSD 8%, FRODEBU 7%, UPRONA 7% na CNDD 1%.Naho iyo radiyo REMA FM yahaye ijambo iyindi migambwe, kenshi kwari ukuyirtyoza ; cane cane ku migambwe FNL na MSD.

Hanyuma, amaradiyo yigenga Bonesha, Isanganiro na RPA zitanga ikibanza ku banyepolitike ataho zihengamamiye kandi mu buryo buringaniye.

Abazokwitoza bijunja mu matora y'umukuru w'igihugu, nibo bibonekeza mu binyamakuru kurusha abo mu matora y'abajenama b'amakomine.

Ikindi n'uko abapfasoni bitoza mu bajenama b'amakomine ntibigeze baboneka mu bimenyesha makuru.

## XI. AMATORA YO KUWA 24 RUSAMA 2010.

Uwo munsi w'amatora, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora, warakwiragije abarorerezi 41 mu ntara 17 z'igihugu. Abo barorerezi baragendeye ibiro vy'amatora bingana 189 kuri 6961, ivyo vyerekana urugero ruringaniye kandi rungana n'ibice 2.7% bituma hihwezwa ingene ayo matora agenda. Ayo matora y'iryo sango rya 24 Rusama yabaye mu mutekano ata terabwoba no gushamirana. Abanyagihugu barayitabiriye ari benshi ku rugero rw'ibice 92%, nk'uko vyamenyeshejwe n' Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, urugero rurenga ibice 80.6% rwo mu matora yabaye

mu 2005. Ikwiragizwa rishimishije ry'inzego z'umutekano ryaratumye haba umutekano muri ayo matora. Ibiro vy'amatora bitari bike vyagenduwe n'Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora vyuguruye ibikorwa neza na neza vyacerewe hagati y'iminota 30 ivyo bikangana n'ibice 80%. Nta kwiyamamaza imbere canke inyuma y'ibiro vy'amatora.

Ahanini, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora usanga ko ubwiherero butari bushemeye, kandi vyatuma uwutora adashobora kunyegeza amakarata y'amatora canke ngo ayatahane. Ku rugero rungana n'ibice 27.7%, uwo mugwi uremeza ko abari bashinzwe ibiro vy'amatora babonye neza ko abatora ata makarata batahana, hakoreshejwe kugenzura ku mubiri canke kurikanura.

Abagize ibiro vy'amatora bose usanga bararonkejwe inyigisho zavyo n' Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, kandi ibice 73% vy'abagize ibiro vy'amatora vyarerekanye ko bagendera iryo tunganywa ry'amatora. Abakenyezi bangana n'ibice 40% nibo bari mu biro vy'amatora, kandi no mu bahagarikiye imigambwe niho bari. Ku bice 90% vy'ibiro vy'amatora, abarorerezi b'abarundi niho bari, kandi abashika 80% bari batumwe na COSOME (Urunani rw'abahinga bigenga bishinzwe gukurikirana amatora).

Mu bice bishika 66.7%, izo ntumwa zasanze ko ibikoresho vyariho igihe amatora yugururwa, mugabo harabura amakarata y'itora mu ntara za GITEGA, RUTANA na BUBANZA, n'amabahasha y'itora yarabura i Bururi. Itangwa ry'amakarata y'itora ku batora ryerekanwa n'ukuzuzwa ku nkaratasi zavyo: urukaratasi rumwe ku mugambwe wose n'abigenga bitoza. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urashimira Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, ku twigoro yagize mu kugira igenzurwa ry'amakarata y'itora ribaho na rirya izo karata zitagira inomero iziranga.

Ikindi naco ni uko, amakarata y'itora yabandanije gutangwa ku munsi w'amatora muri za CECI zo mu ntara za MAKAMBA; RUTANA; KARUSI; RUYIGI; na CANKUZO. Ku rugero rw'ibice 71.70%, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora wagenzuye, wasanze ko irangi ridafudika ryariho ariko uwo mugwi, wasanze igihushane cavuzwe ku radiyo, iminota 30 imbere y'iyugagwa ry'amatora kingana n'ibice 10% kizwi n'igice c'abagize ibiro vy'amatora yagenzuwe.

*Gusozera, guharura, kuroranya no kumenyesha ivyavuye mu matora.*

Mu bice 57.1% vyagenzuwe, kw'isaha yo kugarirako, hari hakiriho imirongo y'abatora. Ibiro vy'amatora vyugawe inyuma y'isaha cumi ku bice 85.7% n'ibice 21.4% inyuma y'isaha cumi na zibiri.

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora usanga ko iharurwa rirangiye, icegeranyo kitamanitswe ku biro vy'amatora nk'uko bitegekanijwe.

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora werekana ko mu mategeko mpuzamakungu, ivyegeranyo vyiharurwa biba ari vyinshi ku buryo ikopi imwe ihabwa intumwa z'imigambwe n'abategetsi vyerekeye. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora ubona kandi ko mu matora azokwirikira ivyegeranyo vyomanikwa hanze y'ibiro vy'amatora ibindi bigahabwa intumwa z'imigambwe. Ivyegeranyo vy'amatora vyaratanzwe mu ma CECI, ku bice 85.7%, vyagenzuwe n'Umugwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora bikozwe n'abakuru b'ibiro vy'amatora. Kuwa 26 Rusama, ivyavuye mu matora y'abajenama b'amakomine ntivyari bwegeranywe ku rwego rw'igihugu cose.

Intara zitanu gusa nizo zari zimaze kuronka ivyegeranyo ku rwego rw'intara zica zitanga ibitigiri vy'imfatakibanza vyayavuyemwo.

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uzobandanya ukwirikirana ikiringo c'iyegeranywa, isuzumwa n'ishikirizwa ntabanduka ry'ivyayavuye.

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora usanga ko ku bice 95.6% y'ibiro vyagenzuwe n'uwo murwi nyene, amatora yagenze neza. Ku bice 42.9% y'ibiro uwo murwi wagenzuye, wasanze iharurwa ryagenze neza mu buryo bushimishije.

---

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora washaka gushimira Reta y'Uburundi, Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI ; Abarongozi b'inzego bose, Imirwi y'intumwa z'abarorerezi mvamahanga hamwe n'izo mu gihugu, hamwe n'Amashirahamwe adaharanira inyugu za polotike yo mu Burund,i mu gufashanya kwabo hamwe n'ukutwakira neza muri iki kiringo co guhagarikira amatora. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urashimira Intumwa z'Ishirahamwe rya Buraya ryo mu Burundi, ukongera ugashimira Intumwa ziserukira ibihugu vyabo mu Burundi, hamwe rero na TRANSTEC, mu gusenyera ku mugozi umwe muri iki kiringo c'amatora. Iki cegeranyo kikaba kiriho no mu Kirundi kuri bwa buhinga bw'ingurukanabumenyi bw'uyu mugwi: http://www.eueom.eu/burundi2010. Icegeranyo co mu Gifaransa conyene nico cokwizerwa.

**Mufise ico mubaza, hamagara :**
Umushingantahe Tommaso Caprioglio, Icegera c'Umukuru w'Intumwa z' uyu mugwi, tél : + 257 78 293 364
Umushingantahe Renaud Dewit, Ashinzwe Ibinyamakuru, tél : +257 78 293 373

**Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora-BURUNDI 2010**
**BRIGHT Hotel Rohero 2, Avenue Kunkiko No. 42,**
**BP 1545 Bujumbura tél: +257 22 25 61 88**